

Igisata c'Indero i NSW

# Kwunguruzwa mu Mwaka w'7 mw'Ishure rya Reta y'i NSW

## Saba ku murongo w'ubuhinga utangure Umwaka kuva mu wa 6 kugeza mu mwaka w'7

### Ishuri ryo mu micungararo umwana wawe yigako

Amashure menshi ya Reta y'i NSW yarashizeho ahantu bandika abana kugira ngo abana bose bageze gutangura ishuri bashobore kwandikwa kugira ngo bige mu mashuri ya Leta- ishuri ribegereye

Aho umwana wawe aba kandi abarizwa igihe cose ni ho herekana ishuri riri mu micungararo umwana wawe abamwo. Ukuronka Ishuri (School Finder) igikoresho kuri education.nsw.gov.au/school-finder kirashobora kugufasha kumenya aho iryo shuri ryo mu micungararo riri.

Abavyeyi benshi n'abarezi bo muri NSW bahitamwo Amashure yabo abegereye kugira ngo abana babo baronswe ubumenyi bw'akanovera. Ubuhinga bw'igisata bw'ukwiyandikishiriza ku murongo bufasha mu kwungururiza mu mashure yisumbuye.

Amashure yo mu micungararo yakira abana bari kunzego z'ubwenge zose, harimwo n'integuro zigenewe abana b'incabwenge karuhariwe, n'izigenewe abanyeshure bakehaniwe mu bumenyi; banakeneye gufashwa. Aranatanga n'ibindi bikorwa vyinshi hejuru y'ivyo bari basanzwe bakora.

Hariho Amashure menshi ya kaminuza agizwe n'Amashure menshi canke indaro nyinshi, kandi ishuri imwe imwe yose canke indaro usanga hariho ibintu bimwe ishaka gutangamwo ubumenyi yisangije yonyene. Nk'akarorero, hariho Amashure y'indaro mato mato (Years 7-9 canke 7-10), amashure y'indaro y'amashure Manini (Years 10-12 canke 11-12), indaro zihitamwo abanyeshuri biga ibintu kanaka, indaro zifashanya mu burezi hamwe n'indaro zakira abantu b'igitsina kimwe.

Hariho kandi Amashure rusangi atanga akaryo ku bantu baba mu caru n'ibindi bibano bidashikirwa cane n'Amashure kugira ngo bigishe abana babo guhera muri Kindergarten gushika muri Year 12 bikabera ahantu hamwe. Amashure menshi rusangi akoresha ubuhinga bwo gushirahamwe abigisha n'abanyeshuri bo mu mashuri atandukanye kugira ngo ivyigwa bitari bike bitangwe. Amashure rusangi vyongeye atanga ibindi bikorwa vyinshi birengeye ibitangwa ahandi.

Asangwa udashoboye gusaba ku murongo canke ugahitamwo kutabikora, igore wuzuze icitegererezo ku rupapuro rwa 5 muri runo rwandiko. Kirungike cujujwe kw'ishure ritoya umwana wawe yigako.

Izindi nsiguro ziraboneka ku murongo:
education.nsw.gov.au/public-schools/going-to-a-public-school/enrolment/high-school-enrolment

NSW GOVERNMENT

# Ubundi bwoko bw’amashure

## Urashobora kuba ufise impamvu zituma ushaka ko umwana wawe yiga mw’ishuri ritari iryo mu micungararo ubamwo.



## Amashure atari mu micungararo (canke mu karere ubamwo)

Amashure afise akarere yandikiramwo abanyeshuri arafise igitigiri c’abana atarenza- igitigiri c’abanyeshuri bashobora kwandikwa hafatiwe ku bibanza vy’indaro ayo mashuri afise. Igitigiri ntarengwa kitubarira nimba iryo shuri rishobora kwakira abanyeshuri batari abo mu micungararo canke ko ridashobora kubakira. Muri ico gitigiri ntarengwa, Amashure amwe arashinga ku ruhande ibibanza vy’urwego rw’abanyeshuri bakomoka mu micungararo bazokwakira hagati mu mwaka.

Amashure arengeje canke ariko aregereza igitigiri ntarengwa ntazokwandika abanyeshuri baakomoka mu micungararo, kiretse hariho ibituma simusiga.

Yamara, Amashure afise ibibanza bisigaye kujamwo abanda banyeshuri arashobora kwakira abanyeshuri badakomoka mu micungararo arimwo.

Mu mashuri aho abasaba ko abanyeshuri bataba mu micungararo bashobora kwiyandikisha barengeye igitigiri c’ibibanza bihari, ayo mashuri aca ashiraho ibisabwa ku banyeshuri bataba muri iyo micungararo kugira ngo ibintu bibere mu muco kandi bagaca bashinga umurwi wiga abemererwa n’abatemererwa ku basaba bose badakomoka muri iyo micungararo.

## Amashure afise ico yisangije

Amashure y’Abahinga yigisha ivyigwa vyo mu mashure yisumbuye bishimikiye ku mpano canke ibikundwa. Amashure adasanzwe yashinzwe kubwo inyigisho z’ubuhinga, impinyanyuro n’ugushushanya, indimi, ubuhinga bugezweho (harimwo ubuhinga bw’ukwiyunguruza mu biyaga n’ubwo iterambere hagati mu gihugu), uburimyi n’inkino.

Amwe muri ayo mashure afise ico yisangije ivyo bafatirako mu kwakira abanyshule bashasha bishobora kubamwo kwerekana ivyo bashoboye canke ukubazwa bakoreshejwe ivyuma vy’amajwi.

## Ishure rifashwa

Amashure amwe yisumbuye arafise ishure rifashwa mu gutanga izindi nyigisho hamwe n’ubufasha bikenewe ku banyeshule bafise ubumuga. Umuyobozi w’ishure ry’intango y’umwana wawe azogufasha gutora ishurele rijanye n’ibibazo vy’umwana wawe, aravye ico wipfuza, ibikenewe k’umwana wawe n’ahegereye ibindi bikorwa vyofasha.

Ibibanza mw’ ishure rifashwa bitangwa biciye mu buryo bwategekanijwe bwo gutanga ibibanza.

## Amashure acagura aravye amanota meza

Igikorwa co kwandikisha mw’ishure ricagura riravye amanita meza haba mu kwiga iminsi yose canke igice utangura iyo umunyeshure ageze muri Year 5 kandi bifata igihe kirekire kuruta iyandikisha risanzwe.

Urupapuro rwo kwiyandikisha ruraboneka kuri interenete. Usabwa kumenya yuko impapuro zizoba zacerewe zitazokwagirwa.

Urutonde rw’amashure acagurwa hisunzwe amanota meza hamwe n’izindi nsiguro vyerekeye igikorwa co kwandikisha mw’ishure mubisanga kuri: https://education.nsw.gov.au/public-schools/selective-high-schools-and-opportunity-classes

## Ibibanza bigishirizamwo bihanitse Icongereza

Koresha uburyo bwo kurondera ishure kuri: https://education.nsw.gov.au/school-finder mu kurondera amashure yisumbuye atanga ubufasha mu kwiga Icongereza mu buryo buhanitse.

Tanga aderese y’aho uba hamwe na postcode mu kurondera ishure rikwegere kuri map hanyuma uce uhitamwo Intensive English Centre uce ufyonda kuri “Nearby schools”.

Ukeneye izindi nsiguro, wovugana n’umuyobozi w’ishure rito rikwegereye canke ishure ryisumbuye ushaka.

Mwipfuza umusiguzi mu zindi ndimi kugira abafashe mu kibazo canyu, hamagara **abasiguzi bo kuri telefone** kuri 131 450 uce usaba umusiguzi avuga ururimi rwawe. Iki gikorwa gitangwa k’ubuntu.

# Kwuzuza urupapuro rw' Icemezo c'ivyipfuzo vyawe

## Urashobora kwerekana ishure wipfuza kwandikisha umwana wawe mu kwuzuza urupapuro rw'Icemezo c'ivyipfuzo vyawe kubw'ishuri yawe yo mu micungararo kandi/canke Amashure atarenga atatu atari ayo mu micungararo urimwo.

Hari intambwe zitatu nkenerwa mu kwandikisha umwana wanyu mu Year 7:

## Intambwe ya 1: Uzuza Icemezo cy'ivyipfuzo vyawe vyo gusaba ikibanza kw'ishure canke amashure wipfuza.

### Impapuro zitegerezwa kuzuzwa mu Congereza n'abavyeyi canke abarezi b'abanyeshule bose bashaka kwiga muri.

Ku bana basanzwe banditswe mu mashure ya Reta y'i NSW, mushobora kwuzuza urwandiko murávyo rw'ugusaba canke mukuzuza icemezo gifatanye na runo rwandiko , ukaruzana kw'ishure ritoya umwana wawe yigako. Kubana batanditswe mw'Ishure ritoya rya Reta y'i NSW, ushobora kwandika ikete murávyo ryo gusaba maze ukajana kino cemezo kw'Ishure ryisumbuye rya Reta y'i NSW wipfuza kwandikishamwo umwana wawe.

**Ivyemezo vyose vy'ivyipfuzo bitegerezwa kuba vyatanzwe ku munsi canke imbere y'umunsi wagenywe.**

## Intambwe ya 2: Kwuzuza urupapuro rwo kwiyandikisha

Umaze kuronka ikibanza kw'ishure, bazogusaba **kwuzuza urupapuro rwo kwiyandikisha mw'ishure rya Leta rya NSW**. Ibi bazobikurungikira mu gice ca 2 canke ca 3.

Icemezo c'ugusaba gishobora kwuzuzwa ku ngurukanabumenyi mu kwuzuza urwandiko uzorungikirwa mu gice ca 2 canke ca 3.

Tugusavye kuzuza ibikuranga vyose kuri ururupapuro hanyuma ubirungike udatevye.

Inyishu yanyuma mu vyo kwandikwa bazoyitanga umuyobozi mukuru w'ishure yihweje kandi akemera ko atanze ikibanza. Umuyobozi mukuru w'ishure arashobora kukurondera kugira umuhe izindi nsiguro.

Uzoronka ikete murávyo canke risanzwe, rikumenyesha ko umwana wawe yemerewe ishure canke batemeye kumwandika.

## Intambwe ya 3: Kumenyera ishure ryawe rishasha

Umaze kuronka inyishu y'uku umwana wawe yanditswe, n'inkenerwa ko wo menyera ishure ryawe rishasha kugira ufashe umwana wawe kungururizwa muri mwaka w'7.

Ishure rizotunganya ibikorwa n'umunsi wo kwimenyereza hamwe n'umunsi wo gutanga insiguro ku banyeshure bazotangura umwaka w'7 umwaka ukurikira. Kenshi abavyeyi n'abarezi baratumirwa kuri uwo munsi wo gutanga insiguro, vyama biba mu mpera za Munyonyo/ Kigarama gutanguye. Bifasha umwana wawe kumenya ivyigwa n'ibindi azokwiga mw'ishure ry'isumbuye, abigisha, amashure n'ingene ishure ritunganijwe kandi bigatanga uburyo bwo guhura n'abanyeshule bagenzi biwe.

Ishure rishasha rizokumenyesha itariki ryo gutanga insiguro, hamwe n'ibijanye na n'umwambaro w'ishure, ingendo n'ibindi bikenewe.

Nimba hari izindi nsiguro ukeneye vugana n'umuyobozi w'ishure. Mwipfuza umusiguzi yogufasha, hamagara abasiguzi bo kuri telefone kuri **131 450** uce usaba umusiguzi. Umukozi aca akuronderera umusiguzi ku murongo aca abigufashamwo. Iki gikorwa gitangwa k'ubuntu.

## Insiguro zizofasha ishure rishasha ry'umwana wawe azokwigako kugira ashobore kwiga neza.

Ni nkenerwa ko umenyesha ishure rishasha umwana wawe agiye kwigako ivyo umwana wawe akeneye ko ishure rimufasha mu vyigwa. Ni ngirakamaro ko umenyesha ishure niba hari ivyokurya kanaka umwana wawe atarya canke hariho umuti bamubujije kwa munganga canke afise uburwayi kanaka.

N'ibi vyikubiyemwo ariko nti biherera ku kumenyesha n'iba umwana wawe afise uburwayi nka anaphylaxis, hasima, diyabeti (igisukari) canke intandara.

Niba umwana wawe barabonye ko ashobora kurwara anaphylaxis urasabwe kuzanira ishure urupapuro rwitwa ASCIA Action Plan for Anaphylaxis rwujujwe kandi rugashirwako umukono na muganga w'umwana wawe.

Umaze kuzana urwo rupapuro rwitwa ASCIA Action Plan, ishure rizogusaba adrenaline autoinjector kugira bifashe abajejwe ubutabazi. Reba neza igenekerezo umuti utera garanti kuri adrenaline autoinjector yatanzwe kw'ishure hanyuma ubahe uwo kuwusubiriza imbere y'igihe.

## Amakuru ukeneye kugira ngo wuzuze Icemezo c'Ugusaba

### Agace A

Uzuza ivyerekana neza ibiranga umwana wawe hanyuma ushire igikumu ko uvyemeje mu **Agace A**.

### Agace B

**Agace B** kerekana izina ry'ishure ryo mu gacimbiri kawe ryatowe baravye ikibanza ubamwe. Umwana wawe afise uburenganzira bwo kuronka ikibanza kw'ishure rimwegereye.

Nimba urondera ishure mu gacimbiri kawe konyene shira igikumu ku **Agace B**, hanyuma usubize urwo rupapuro bitarenze itariki yagenywe. Ubu wahejeje kwuzuza ivyo bisabwa.

Nimba wasavye ishuri itanga ubumenyi butaboneka ahandi, kandi ukaba ushaka ko umwana wawe yiga mw'ishuri yo mu micungararo, iyo bidashobotse, usabwa vyongeye gutter igikumu kandi ushireko italiki ku **Agace B**.

## Agace C

Nimba urondera ibindi bibanza, erekana amashure atatu mu rutonde wipfuza mu **Agace C**.

Urashobora gusaba ikibanza mw':

- ishure rifise ico ryisangije
- ishure rifashwa (mu bigiye inama n'umuyobozi mukuru w'ishure ry'intango ryawe, akazoca arungika impapuro zo gusaba ikibanza) ashizemwo ubwoko bw'imfashanyo ashaka
- ishure ritari iryo mu micungararo.

**Mwibuke ko amashure afise ivyo yisangije, n'imirwi ijejwe gutanga ibibanza bizosaba ibindi vyangombwa mu kwiyandikisha.**

Hamwe mwoba mukekeranya kubijanye nimba mutegerezwa kuzuza izindi mpapuro, mugerageze muvugane n'ishure wipfuza.

**Hari ibindi nkenerwa nimba usaba ikibanza mw'ishure ritari iryo mu micungararo.**

**Amashure nka yose arafise ivyo yisangije mu kwandika abatari abo mu micungararo igihe abanyeshure barondera ibibanza batari abo hafi ari benshi gusumba ibibanza bihari.**

Nimba murondera ikibanza kw'ishure atari iryo mu micungararo, gerageza mutange imvo zituma murondera ikibanza mu gace atari aho uturuka, nk'akarorero:

- basaza canke bashiki basanzwe biga kuri iryo shule
- kuba hafi y'iryo shuri no gushobora gushika kuri yo bitagoranye
- hari ishure ryemerera abahungu/abakobwa gusa
- Imvo zivuye ku uburwayi
- kubijanye n'ukwirinda impanuka canke ukuraba umami imbere canke inyuma y'ivyigwa
- ku buryo bwiza ivyigwa canke ingene ukuntu ivyigwa bitunganijwe kw'ishure
- kubera impuhwe bagufitiye
- ukuntu canke iringanizwa ry'iryo shule
- Ihinduka riheruka gushika kubijanye no kwegerera kwishure.

Umurwi ujejwe kwandikisha bazofatira gusa kuri izi nyandiko z'ukuri izi mpapuro canke izindi nsiguro zemewe utanze.

Umwana wawe ataronse ikibanza kw'ishure watoye ubwa 1, umwana bazomurabira ishure watoye ubwa 2, hanyuma ishure watoye abwa 3, nimba wararisavye.

Utaronse ikibanza mu mashure yose wasavye, ishure rizobikumenyesha. Ishure rishobora kukumenyesha ko bagushize k'urutonde rw'abarindirijwe kandi ko uzoronka ikibanza kiramutse kibonetse.

Hamwe umwana wawe aronse ikibanza mu mashule watoye, nta kindi kibanza uzohabwa n'irindi shule riri munyuma y'ivyo wipfuza.

Hamwe atakibanza coba kiriho ku mashure yose wasavye, umwana wawe azoshirwa mu kibanza gikingiwe kw'ishure ryabo ryo mu gacimbiri ryanditswe mu **Agace B**, hamwe wokwemera kwakirwa n'iryo shure.

Hamwe woba wumva ko hatakurikijwe ubutungane canke inyishu waronse zitumvikana, urashobora kujurira. Uko kujurira gutegerezwa kuba mu nyandiko ushikiriza umuyobozi w'ishure ryisumbuye.

## Agace D

**Nimba wasavye kw'ishure ryinjiza rifatiye ku manota menshi** shira akamenyezo mu kumba ko mu **Agace D** k'uru rupapuro

hanyuma wuzuze **Agace B, C** canke **Agace E** hamwe umwana wawe atoba yaronse ikibanza mw'ishure ryinjiza rifatiye k'umanota meza.

## Agace E

**Nimba udashaka ikibanza mw'ishure ya Leta, uzuza Agace E.**

Mu kwuzuza **Agace E** uba urangije ibisabwa vyose n'amashure ya Leta ya NSW ku bijanye n'iyadikisha ry'umwana wawe mu Year 7.



Igisata c'Indero i NSW

# Icemezo cy'vyifuzo vyawe (Expression of Interest)

Ukwandikisha Year 7 mw'ishule ya Leta ya NSW.

Placement in Year 7 in a NSW Government school.

**Tugusavye ngo wuzuze uru rupapuro mu Congereza.**

SRN ☐☐☐☐☐☐☐☐☐

Abakozi bahuzuza gusa (bavyeyi/barezi ntimuhuzuze) (Office use only)

## A. Inkuru zerekeye umunyeshule (A. Student information)

**Izina**
**Family name**

**Izina ry'ubukristu**
**First given name**

**Izina ryo hagati (ayandi) mazina**
**Middle (other) name/s**

**Igitsina**
**Gender**

☐ Umuhungu
Male

☐ Umukobwa
Female

**Itariki y'amavuka**
**Date of birth**

☐☐/☐☐/☐☐☐☐
*Umunsi Ukwezi Umwaka*

**Aho uba** *(akarorero: 1 High Street, Sydney, NSW, 2000)* **(Residential address)**

**Izina ry'umuvyeyi**
**Name of parent/carer**

**Inomero ya telefone** *(ngendanwa)*
**Phone number** *(mobile)*

**Inomero ya telefone** *(yo mu nzu)*
**Phone number** *(home)*

**Inomero ya telefone** *(yo ku kazi)*
**Phone number** *(work)*

**Aderese ya e-mail**
**Email Address**

**Izina ry'ishule asanzwe yigako (Student's current primary school)**

**Iciyemezo (Declaration)**

Ndemeje ko inkuru zatanzwe kuri iki *Cemezo c'ivyifuzo vyanje*,ku bintu nzi kandi nemera, ari nyakuri kandi zikwiye. Ndemeye ko, hamwe ivyanditswe muri kete bosanga hari ivyo nabeshe canke bituma umuntu yihenda, ingingo yose yobayafashwe yisunze ivyanditswe izoshobura gusubirwamwo. Ndemeye ko iyandikwa ryatanzwe rikwirikijwe iri kete rizokwemerwa bihweje kandi bagashima urupapuro rwo gusaba *kwiyandikisha mw'ishule rya Leta muri NSW. (Application to Enrol in a NSW Government School).*

**Igikumo c'umuvyeyi/umurezi (Signature of parent/carer)**

**Andika izina mundome nkuru (Print name)**

**Itariki**
**Date**

☐☐/☐☐/☐☐☐☐
*Umunsi Ukwezi Umwaka*

## B. Ikibanza kw'ishule rya Leta ryo mu gacimbiri kawe (B. Placement at local government school)

**Ishure yahoo ubaye (Your local school)**

Tugusavye ngo ushire igikumu mu gace kakwirikira nimba wifuza ko umwana wawe azokwiga kw'ishule rya Leta ryo mu gacimbiri kawe.

**Igikumo c'umuvyeyi/umurezi (Signature of parent/carer)**

**Itariki**
**Date**

☐☐/☐☐/☐☐☐☐
*Umunsi Ukwezi Umwaka*

Nimba aho hejuru washizeko igikumu kandi ukaba ushaka ko umwana wawe yiga kuri iryo shuri **gusa**, ubu wahejeje kwuzuza ivyo bisabwa.

## C. Ingingo bafatirako mu gutanga ikibanza mu yandi mashule ya Leta

## C. Consideration to be given to placement at other government schools

**Ukaba wipfuza ko umwana wawe yiga ku rindi shule ritari mu miciungararo abamwo, urashobora gutanga amashule wipfuza atarenze atatu. Urashobora gushiramwo:**

- **Ishuri rya Reta ritanga ubuhinga butaboneka ahandi.** Raba neza urahimirizwa gusaba imfashanyo ku muyobozi mukuru w'ishuri ry'intango nimba wipfuza ko umwana wawe yoshirwa mw'ishuri ritanga ubuhinga butaboneka ahandi.
- ishuri rifise **ibishigikizo** kugira ngo rifashe abanyeshuri bakeneye ibindi vyigwa n'ibindi vya nkenerwa vyo kubafasha. Ukwiriye kumenya yuko ivyo bica mu murwi washinzwe kugira ngo uhe ibibanza abo bana. **Utegerezwa kurondera imfashanyo y'umuyobozi mukuru w'ishuri y'intango nimba wipfuza ko umwana wawe ashirwa ahantu akeneye gufashwa.**
- irindi shuri **ritari irya** Reta ryo mu micungararo. Usabwe kwerekana impamvu zituma ushaka kudashirwa mw'ishuri rya Reta aho ku mpera y'uru rukaratasi (kandi no ku rukaratasi rugira 7 nimba ubisabwe).

Ndifuza kwandikisha umwana wanje ku mashule akwirikira ya Leta:

| | |
|---|---|
| **Ishule nifuza ubwa (mbere) 1**<br>**Choice 1 school** | |
| **Ishule nifuza ubwa (mbere) 2**<br>**Choice 2 school** | |
| **Ishule nifuza ubwa (mbere) 3**<br>**Choice 3 school** | |

Ndemeza ko niyo umwana wanje ataronka ikibanza muri imwe murayo mashule ,azoca aja mu mashule yo mu gacimbiri yanditswe mu Gace B.

**Igikumu c'abavyeyi/abarezi (Signature of parent/carer)**

**Itariki**
**Date** ___ ___ / ___ ___ / ___ ___ ___ ___
*Umunsi* *Ukwezi* *Umwaka*

## Aha huzuzwa gusa n'umuyobozi mukuru w'ishule (Primary school principal use only)

Primary school principals may wish to include comments to assist secondary school principals make placement decisions. These comments should refer to the reasons given by parents and carers.

**Signature of primary school principal**

**Date** ___ ___ / ___ ___ / ___ ___ ___ ___
*day* *month* *year*

**Urupapuro rwo hasi mu rwuzuza gusa nimba musaba ikibanza mu mashule atarayo mu gacimbiri kawe. Ntukeneye kuzuza aka gace nimba usaba ikibanza mu mashule afise ivyo yisangije, canke mw'ishule rifashwa.** Bikenewe, urashobora kutanga izindi nsiguro kugira usigure igituma usavye ikibanza ku mashule atari ayo mu gacimbiri kawe. Mwifuza izindi nsiguro raba ku mpapuro za 2 ni 3.

| | |
|---|---|
| **Izina ry'ishule watoye abwa (mbere) 1**<br>**Name of Choice 1 school** | |

Murasabwa gutanga impamvu mwipfuza ikibanza kuri rino shule (fatira ku ngingo zihariye ishule rifatirako mu kwiyandikisha)

## C. (birabandanya) C. (continued)

Izina ry'ishule watoye abwa (mbere) 2
Name of Choice 2 school

Murasabwa gutanga impamvu mwipfuza ikibanza kuri rino shule (fatira ku ngingo zihariye ishule rifatirako mu kwiyandikisha)

Izina ry'ishule watoye abwa (mbere) 3
Name of Choice 3 school

Murasabwa gutanga impamvu mwipfuza ikibanza kuri rino shule (fatira ku ngingo zihariye ishule rifatirako mu kwiyandikisha)

## D. Ishule ryinjiza riravye amanota menshi (D. Academically selective school)

☐ Nanditse ikete ryo gusaba ikibanza mw'ishule ryinziza riravye amanota menshi.Umwana wanje azokora ikibazo mw'ishule ryisumbuye rifatira ku manota menshi.
I have submitted an application for placement in an academically selective school. My child will be sitting for the Selective High Schools test.

*Hamwe umwana wawe atoronka ikibanza muri iri (aya) mashule, tugusavye kowokuzuza kandi Agace B, Agace C canke Agace E k'uru rupapuro.*

## E. Utakeneye ikibanza (E. Placement not required)

Ndemeje ko umwana wanje atazokenera kwigishwa mw'Ishure rya Reta y'i NSW mu mwaka w'Ishure uza . Nasomye kandi numvise amakuru ajanye no gutanga harimo no gukusanya amakuru yihariye. Umwana wanje azokwiga kw'ishule rikurikira.*
I confirm that my child will not be seeking placement at a NSW Government school next year. I have read and understood the information about this submission including the collection of personal information. My child will be attending the following school.*

**Igikumu c'umuvyeyi/umurezi (Signature of parent/carer)**

**Itariki**
**Date**

__ __ / __ __ / __ __ __ __
*Umunsi Ukwezi Umwaka*

*Turashima utanze izomvo naho atari ngombwa ngo ubivuge.

**Kwiyemeza kugumya akabanga (Privacy Statement)**

Inkuru zigenga zitangwa kuri kino cemezo citwa Ikete ry'**Ugusaba—Ukwungururizwa mu Mwaka w'7 muri Reta y'i NSW** ziriko zitororokanywa mu ntumbero y'ugutunganya neza iyandikwa ry'abana bageze kwunguruzwa mu Mwaka w'7 mu mashure ya Reta y'i NSW. Inkuru yose ihawe Igisata c'Indero i NSW izokoreshwa, imenyeshwe kandi ibikwe hisunzwe amategeko nkingiramakuru y'i NSW.

Amakuru amwe-amwe asabwa n'Igisata mu ntumbero cihaye c'ukubungabunga n'ibindi vyemewe n'ibikorwa mu bijanye n'amagara y'abantu, indero n'amategeko akingira abana hamwe n'ugutotorokanya amakuru n'ugutanga ivyegeranyo Kubwo Amasezerano y'Urunani rwunze Ubumwe mu Butunzi. Hobamwo umwihwezo n'isuzumwa ry'umwimbu w'Abanyeshure.

Ayo makuru ashobora guhabwa Reta y'i NSW hamwe n'igisata c'Abasangiye Ubutunzi, n'ayandi mashirahamwe kubwo imvo twavuze aho haruguru kandi nk'uko vyemewe n'amategeko.

Amakuru azobikwa ku muyoboro murávyo ntororokanyamakuru. Ushobora gusoma canke ugakosora inkuru mu kuvugana n'abarongoye ishure umwana wawe yigako. Asangwa utewe amakenga canke widoga ku vyerekeye amakuru yatanzwe nk'uko yatororokanijwe, vugana n'ishure.

Uhisemwo kudatanga amakuru amwe yasabwe, birashobora kugira ingaruka mbi kw'iyandikwa ry'umwana wawe, ku makuru afiswe n'ishure canke ku kuronsa umwana wawe ivyo akeneye.

Izindi nkuru zerekeye itororokanywa ry'amakuru mu gihe umwana wawe aba yanditswe mw'ishure rya Reta ry'i NSW, hamwe n'ikingirwa ry'amakuru yawe, ziraboneka ku rubuga ngurukanabumenyi rw'Igisata canke kw'Ishure ryawe. Urashobora kuronka Ikopi y'Urwandiko rw'Ikingirwa kuri https://education.nsw.gov.au/content/dam/main-education/about-us/rights-and-accountability/media/documents/privacy/collection-notice.pdf

Ku banyeshule basanzwe banditswe ku mashule y'intango ya Leta, tugusavye gusubiza uru rupapuro kw'ishule ry'intango. Ku banyeshule batanditswe mu mashule y'intango ya Leta, tubasavye ko mwosubiza uru rupapuro kw'ishule ry'isumbuye rya Leta watoye ubwambere mu kwiyandikisha. **Ivyemezo vyose vy'ivyipfuzo bitegerezwa kuba vyatanzwe ku munsi canke imbere y'umunsi wagenywe.**



Tw'ishimiye igihugu c'abasangwabutaka bose kandi turubaha Igihugu.

**Say hello**

@NSWDepartmentofEducation

@NSWEducation

@NSWEducation

education.nsw.gov.au

© 2023 NSW Department of Education

GPO Box 33, Sydney NSW 2001 Australia

Phone: 1300 679 332